# Ibibazo bikunda kubazwa ku turusho tujanye no kwitaho abana EBT (P-EBT)

mu mwaka w'ishure wa 2022-2023 (*31 Ntwarante 2023)*

---

**Ikibazo ca 1: P-EBT ni iki?**
Igisubizo:.Ni uturusho ku bijanye n'ibifungurwa twigihe gito twemejwe na Reta Zunze Ubumwe two gufasha ingo zifise abana bari musi y'imyaka 6 mu gihe c'ikiza ca COVID-19.

---

**Ikibazo ca 2: Ni bande bemerewe kuronswa uturusho twa P-EBT?**
Igisubizo: Ingo zo muri Vermont zironswa uturusho twa '3Squares VT' zifise abana bari musi y'imyaka itandatu. Abana baronswa uturusho twa P-EBT bazogaragazwa buri kwezi guhera muri Nyakanga 2022 gushika kuri 11 Rusama 2023 ku ngo zemerewe. Uturusho two kwitaho abana twa P-EBT duhagarikwa kw'igenekerezo rya 11 Rusama bitewe n'uguhera kw'igihe cagenewe ibikorwa bijanye n'amagara y'abantu vyihutirwa muri Reta zunze Ubumwe

---

**Ikibazo ca 3: Uturusho twa P-EBT tugizwe n'amahera angana gute?**
Igisubizo: Uturusho twa P-EBT duhabwa abana ni amadorare 34,79 kuri buri mwana buri kwezi guhera mu kwezi kwa Nyakanga 2022 - gushika muri Nzero 2023. Urugero rw'amafaranga azotanwa guhera muri Ruhuhuma-gushika igenekerezo rya 11 Rusama ntiruraharurwa. Urugero rw'amafaranga azotangwa mu kwezi kwa Rusama ku bijanye n'uturusho azogenwa kubera ko uturusho duhagarara hagati mu kwezi.

---

**Ikibazo ca 4: Hari uturusho twa P-EBT duhabwa abana mu ci?**
Igisubizo: Kubera infashanyo ya Reta Zunze Ubumwe bitegekanijwe ko izoba yahagaze kuri 11 Rusama nta turusho twa P-EBT tuzoronswa abana. Amategeko ya Reta zunze Ubumwe ntiyemerera Vermont gutanga uturusho twa P-EBT iyo infashanyo y'ihutirwa ku bijanye n'amagara y'abantu ya Reta Zunze Ubumwe yagaritswe.

---

**Ikibazo ca 5: Uturusho duhabwa abana twa P-EBT dutangwa ryari?**
Igisubizo: Igice cambere c'uturusho (kijanye n'ikiringo co kuva mu kwezi kwa Nyakanga 2022 gushika mu kwezi kwa Nzero 2023) kizotangwa mu mpera z'ukwezi kwa Ndamukiza 2023. Abana bemerewe uturusho twa P-EBT bazoronswa indishi y'uturusho tw'amezi ya Nyakanga gushika muri Nzero kuri buri kwezi urugo rwaronse uturusho twa 3SquaresVT.

Uturusho two guhera mu kwezi kwa Ruhuhuma- gushika kuri 11 Rusama dutegekanijwe gutangwa mu mpera z'ukwezi kwa Myandagaro.

---

**Ikibazo ca 6: No menya gute ko urugo rwanje rwemerewe guhabwa utwo turusho?**
Igisubizo: Igisata ca 'Economic Services Division (ESD)' kizokwemeza nimba umwana wawe yemerewe utwo turusho, c'isunze ibisabwa biri haruguru. Ni wemererwa uzohabwa ikete rivuye muri ESD risigura ukugene hamwe n'igihe uzoronkera utwo turusho.

---

**Ikibazo ca 7: Mu gihe twemerewe ni gute tuzoronswa utwo turusho?**
Igisubizo: Uturusho turonswa abana twa P-EBT dutangirwa kw'ikarata ya EBT yahawe urugo rwawe ku bijanye n'uturusho twawe twa 3SquaresVT.

---

**Ikibazo ca 8: Umwana wanje yitabwaho mu buryo buzwi n'amategeko n'ingo zibiri. Ni uruhe rugo ruronswa uturusho muri ico gihe?**
Igisubizo: Uturusho tuzorungikwa ku muntu akuze yavuzwe ko aserukira urugo muri 3SquaresVT biciye muri ESD.

---

**Ikibazo ca 9: Ni iki nshobora kugura mu mafaranga y'uturusho?**
Igisubizo: Raba urutonde rw'ibifungurwa rwemewe ku rubuga ngurukanabumenyi rwa USDA.

---

**Ikibazo ca 10: Ni hehe nshobora gukoresha ikarata yanje ya P-EBT?**
Igisubizo: Urashobora kuyikoresha mu kugura ibifungurwa ahantu aho ariho hose bemera '3SquaresVT'. Muri aho hantu harimwo imangazini zidandaza infungurwa, imangazini zidandaza ibintu bitandukanye bikoreshwa mu nzu, imangazini ntoya zidandaza ibifungurwa hamwe n'amasoko menshi y'abarimyi bo muri Vermont. Menya vyinshi ku vyerekeye DCF kw'ipage y'urubuga ngurukanabumenyi rwa EBT.

---

**Ikibazo ca 11: Nta bana mfise bitabwaho. Ndaronswa utwo turusho?**
Igisubizo: Ego. Abana bose bari musi y'imyaka itandatu bariko bararonswa 3SquaresVT baremerewe.

---

**Ikibazo ca 12: ndafise abandi bana barengeje imyaka itandatu. Baremerewe kuronswa uturusho twa P-EBT?**
Igisubizo: Oya. Uturusho duhabwa gusa abana bariko bararonswa 3SquaresVT kandi bafise imyaka iri musi y'itandatu. Urasabwa kuraba amakuru kw'ishure ya P-EBT FAQs yerekeye uturusho dutangwa ku bana bari musi y'iyo myaka kw'ishure.

---

**Ikibazo ca 13: Bigenda gute mu gihe ntashaka utwo turusho?**
Igisubizo: Kuronswa utwo turusho ni ku bushake bwawe. Mu gihe uhisemwo kutitabira, reka gukoresha uturusho twinyongera kw'ikarata yawe ya VT EBT

---

**Ikibazo ca 14:Uturusho twa P-EBT turata igihe iyo utadukoresheje?**
Igisubizo: Ego. Uturusho twa P-EBT turata igihe iyo ikarata idakoreshejwe mu kiringo c'imisi 274.

---

**Ikibazo ca 15: Ndafise ibindi bibazo. Ni hehe nokura ayandi makuru menshi?**
Igisubizo: Ja ku rubuga https://dcf.vermont.gov/esd/P-EBT canke uhamagare 1-800-479-6151 uhitemwo 7 kugira uronke ayandi makuru menshi.

VERMONT
AGENCY OF HUMAN SERVICES
DEPARTMENT FOR CHILDREN & FAMILIES

VERMONT
AGENCY OF EDUCATION